REPUBLIQUE DU BURUNDI

COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

# IKIGANIRO N'ABAMENYESHAMAKURU

## IBINYOMA VYAVUZWE N'INTWARO YA PREZIDA MICOMBERO MU MWAKA W'1972-1973

*Gitega, 10 Rusama 2023*

---

*Banyacubahiro mwese muri hano,*

*Bamenyeshamakuru, Tugire amahoro !*

1. Umugwi ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi (CVR mu mpfunyapfunyo), uri ku kivi kuva muri Kigarama umwaka w 2014. Twebwe tuwugize, ubu turi aba gatatu, kuko hari abari bahari imbere yacu. Ikiringo ca mbere cari ico kuva mu 2014 gushika 2018. Ikiringo ca kabiri naco cari ico kuva mu 2018 gushika mu 2022. Natwe aba gatatu, twahawe ikiringo co kuva mu 2022 gushika mu 2026.

2. Ibwirizwa rishinga uwo Mugwi CVR, mu vyo ridusaba, harimwo gutohoza no kwerekana ukuri ku mabi akomeye y'uguhonyanga agateka ka zina muntu n'amategeko mpuzamakungu yubahiriza ikiremwa muntu yakozwe mu kiringo kiva kw'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 1885, gushika kw'igenekerezo rya 4 Kigarama 2008, akaba ari igenekerezo intambara zarangiriyeko mu Burundi. Umugwi ufatira ku buremere bw'amabi yakozwe n'uko yoba yakozwe mu buryo bw'ugukuzako no mu kivunga.

3. Mu mwaka w'1972, mu Burundi, mwene ayo mabi yarakozwe. Hari ku ntwaro ya Prezida Michel Micombero. Abantu barafashwe, barabohwa, baricwa, baratabwa mu binogo rusangi, mbere n'abasigwa babo barabuzwa kurira, kugandara, kuganduka no kubibuka.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

4. Mu misi iheze, kw'igenekerezo rya 28 Ndamukiza 2023, Sentare Ntahinyuzwa yarasambuye urubanza rwari rwaciriwe abiswe abamenja na Sentare ya gisirikare y'i Gitega ku magenekerezo ya 6, 7, 9,10 na 11 Rusama 1972; n'i Bujumbura kw'igenekerezo rya 6 Rusama 1972. Iyo Sentare ntahinyuzwa ikaba yarabambitse izera, yongera ibakurako iceyi cose bambitswe n'itwaro ya Prezida Michel Micombero. Mwene izo sentare gisirikare ngo zarashashe i Ngozi n'i Bururi, ariko hoho nta cegeranyo c'imanza zaciwe cabonetse.

5. Iyo ntwaro mbi ya Micombero, mu guhonya abo bantu biswe abamenja, yararementanijwe ibinyoma vyinshi, ari navyo Umugwi CVR wagomba kubayagira kuri uno musi, muri kino kiganiro n'abamenyeshamakuru.

6. **Ikinyoma ca mbere:** *Intwaro ya Colonel Michel Micombero yavuze ko kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza mu 1972, Uburundi bwatewe n'abansi barimwo Abarundi n'abanyamahanga bashika 10.000, bitwaje imipanga irimwo ubumara, inkota, imbunda n'ibindi bigwanisho vy'ikizungu baturikiriza mu miduga igaca irurumba (cocktail molotov) bari bashwiragije mu Burundi, Nyanza Lac, Rumonge, Bujumbura na Gitega.*

   Umugwi CVR warabitohoje neza, kuva mu mwaka w'2014 gushika 2022. Wasanze ata bagwanyi 10.000 bateye. Ukwo kwabaye ugushikuza, kuko muri uwo mwaka abasirikare b'Uburundi ntibarenga 3.500, kandi ntibari gushobora guhangana n'isinzi ry'abantu nk'abo.

7. **Ikinyoma kigira 2 :** *Ngo i Bujumbura, ikigwi c'abo bayobe cateye mu masaha abiri n'igice (8h30) babanza guca intsinga za Radio ziri hambavu y'ikambi ya gisirikare (camp Muha). Ngo niho bangadaguriye abasirikare barimwo Capitaine Kinyomvyi na Lieutenant Ndayikeza bari bagiye kuraba ivyo biteye ivyarivyo baca babarengeramwo na ya mipanga barabajejagura.*

   Umugwi CVR navyo nyene warabitohoje. Wasanze izo ntwazangabo zishwe n'abari bateguye kwica Umukuru w'igihugu Michel Micombero, kugira baronke imbarutso yo kwirara mu bo bise abamenja. Kandi ni ko vyagenze.

8. **Ikinyoma kigira 3:** *Ngo abateye Uburundi ni aba rebelles Mayi Mulele baje bava i Tanzania n'i Congo. Ngo babanje gutera mu Rumonge n'i Nyanza-Lac, hanyuma baja gutera i Bujumbura no mu gihugu cose.*

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Umugwi CVR warabikoreyeko. Wasanze ata ngwano yabaye mu gihugu cose. Icabaye n'uko hari imirwi y'abicanyi bateye koko mu bumanuko bw'Uburundi, yiyita ama Mayi Mulele, irica Abatutsi, mu nyuma intwaro ya Prezida Michel Micombero ica yirara mu bantu cane cane b'Abahutu bize hamwe n'abafise utwo batunze twisununuye, irica iramara inganda mu ntara zose no mu makomine yose y'Uburundi.

9. **Ikinyoma kigira 4:** *Ngo umugwi wateye warimwo abantu 14.600, abateye i Bujumbura kikaba igice cabo, bashika 4.600. Ngo abateye bari bahawe n'abanyamahanga amafaranga yo kugura imipanga.*

   Umugwi CVR wasanze ivyo bitigiri bivugwa ari ugushikuza. Nta bantu 4.600 botera igisagara ca Bujumbura, umurwa mukuru w'igihugu, ngo ntihagire n'uwubaca n'ikanda. Abo bantu bateye i Bujumbura, bazimanganiriye hehe ? Muri CVR twarabajije hose, nta n'umwe araduha n'iyambu ryabo. Ni co kimwe n'ivyo bivugwa vy'amafaranga yavuye mu mahanga. Kwabaye ugushaka kurondera ivyo bagiriza abo bagomba gufata no kwica.

10. **Ikinyoma kigira 5 :** *Ngo abagiye gutera mu bumanuko bw'igihugu bahavuye berekeza i Bururi. Nabo bararenga ibihumbi icenda (9.000). Niho bari, kugeza n'aho bashinga i drapo y'intsinzi yabo yasa n'icatsi kibisi n'igitukura. Uwo mugwi ngo warimwo abayobe bashika 3.000. Ikitavuzwe co ni mu mihingo ya Vyanda, Makamba et Mabanda aho bari bashinze ruranaga.*

    Umugwi CVR warakoze amatohoza yimbitse muri izo ntara aho wamaze amezi arenga 4. Iyo drapo ivugwa, be n'ico bise République de Martyazo, hamwe n'ifaranga ngo ryazanwe n'abo baje gutera, vyose ni ibinyoma gusa. Mbere n'abavuze ko babonye iyo drapo, ntibahuriza ku mabara yayo, canke ibibanza yari ishinzwemwo. Ikitavuzwe co n'ico gitigiri c'abagwanyi 9.000 ngo bateye i Bururi.

11. **Ikinyoma kigira 6 :** *Vyaravuzwe ko no mu Cankuzo, akarwi k'abantu ijana naho kahateye mugabo hoho ngo abasoda bariyo babagize inkuba imwe, barabasya ku mabuye, ngo nta yindi nyoni yasubiye kuzwira.*

    Mu ntara ya Cankuzo, Umugwi CVR wahakoreye mu kwezi kwa Ruhuhuma 2022. Warashitse mu makomine yose y'iyo ntara. Warabaririkije ivyerekeye ico gitero, usanga abo bantu ijana bavugwa ko bagiye gutera batabayeho. Icabaye, n'uko hari Abatutsi bishwe (turafise n'amazina yabo, ni nk'abitwa Ndorimana Aloys –yari umufundi ashona impunzu- na Semageza André-yari umu planton kuri komine Gisagara-, uwitwa Ntakabanyura Anselme

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Président

be n'uwitwa Nkurunziza Emile- yari umunyamabanga wa komine- nabo barakomerekejwe n'imipanga). Ako kaguma katewe n'Abahutu badashika na 20 muri komine Gisagara, kandi ntikamaze n'amasaha atatu. Mbere n'abakoze iryo shano, Umugwi CVR urafise amazina yabo. Ababisha bishe abo Batutsi barafashwe, bamwe bajanwa na helicoptère, abandi burizwa ikamyo, bajanwa kwicigwa ahantu CVR itaramenya.

12. **Ikinyoma kigira 7:** *Mu gitabo ciswe "Livre blanc" handitswe ko ababisha bateye kandi mu gisagara ca Gitega. Ngo niho n'uwahora ari Umwami Ntare wa gatanu yapfiriye.*

    Umugwi CVR waratohoje ivyo bintu. Nta gitero cabaye aha ku murwa mukuru w'intara ya Gitega. Ariko harumvikanye, ku mugoroba w'uwa 29 Ndamukiza 1972, urwamo ry'amasasu. Umusoda ari kuri garde kuri camp commando yararashe hejuru abonye abantu baje bamugana.

    Uko umwami Ntare V nawe yishwe, yagandaguwe kuri uwo mugoroba nyene w'uwa 29 Ndamukiza, kw'itegeko rya Prezida Micombero, araswa amasasu mu mutwe na Capitaine Ntabiraho Onesphore batazira Rwabisazi, yongera asogotwa imbugita. Uwo mu capitaine, niwe yari icegera c'umukuru w'ikambi. Shebuja Sinduhije Jérôme siho yari ari. Yari yagiye iwabo i Vyanda mu ntara ya Bururi. Ariko bukeye, yaraje na kajugujugu kuraba ivyaraye bibaye mw'ikambi ajejwe. Aca ayobora ingabo aja guhangana n'abateye mu bumunuko bw'igihugu.

13. **Ikinyoma kigira 8:** *Inyuma y'imisi icenda, urwimo rutanguye, Umukuru w'igihugu yaciye ashikiriza ijambo ry'intsinzi mu nsamirizi, amenyesha ko abayobe baciwe imitwe, kandi ko n'aboba bagisigaye batera igere azobahonyorako.*

    Ukuri ni ukuhe? N'uko urwo rwimo rutamaze imisi icenda gusa. Ukwezi kwa Rusama na Ruheshi, mbere no muri Mukakaro 1972 yabaye amezi mabi cane mu Burundi, aho abiswe abamenja bari bagifatwa n'abasirikare n'aba JRR, bakabohwa, bagasehwa n'imiduga, bakajanwa mu ma prison, mu ma kambi y'igisirikare, canke bakajanwa ahari hateguwe ibinogo rusangi, ari naho bicirwa urw'agashinyaguro, bagatabwayo nk'ibikoko.

14. **Ikinyoma kigira 9:** *Ngo abateye babanza kunywa urumogi rw'ukubasarisha…maze bagaca bamera nk'ibishuhure ataco bitinya. … Ngo ukwica kwo nyene ntikwari kwikwiye kuribo. Babanza kujanjaguga n'imipanga, baba abana canke abakuze.*

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

*Ngo ibibi bakoreye abagore ntibigira uko bivugwa. Ngo baratabaguye n'abavyeyi bibungenze...Ngo mu mazu babanza kuhasahura utuntu twose turimwo bagaca baturira.*

Umugwi CVR waratohoje, uramenya neza ko abateye mu Rumonge, Nyanza Lac, Mabanda n'ahandi mu bumanuko bw'igihugu bari bigishijwe n'abakongomani ingene amasasu y'abasirikare ngo atazobafata. Ni navyo bita "Mayi Mulele", ngo insasu kuribo, ni amazi masa. Bari bahawe imiti n'abo ba kongomani, barambara n'ivyatsi ku mitwe. Ivyerekeye urumogi, nta na hamwe vyavuzwe mu matohoza. Nico kimwe n'ivyo vyo kujanjagura ibihimba vy'umubiri canke ivyo gutabagura abagore bibungenze. Abaduha amakuru, umugwi CVR urabafata amajwi, ukongera ukabafotora. Ivyo bavuze vyose birabitswe neza. Kandi turiko turavyandika mu bitabo. Uwuzoshaka kubihiyuza azobihinyuza.

15. **Ikinyoma kigira 10 :** *Ngo abicanyi bo mu 1972 mu bumako bw'igihugu ntibapfa uwo bishe. Ngo baratora, kandi bica abo beretswe bo mu bwoko bumwe.*

Ukuri n'uko aho mu bumanuko bw'Uburundi, mu mpera z'ukwezi kwa Ndamukiza be no mu ntango z'ukwezi kwa Rusama, aba Mayi Mulele bica cane cane abo mu bwoko bw'Abatutsi. Ariko Umugwi CVR waramenye ko bishe n'abo mu bwoko bw'Abahutu banse kubaja inyuma, cane cane abaturuka mu ntara zo hagati mu gihugu. Muri make bica abo bita abamanuka.

16. **Ikinyoma kigira 11 :** *Intwaro ya Prezida Michel Micombero yavuze ko aba Mayi Mulele bateye, bose hamwe ngo bashika 25.000, barimwo Abarundi n'abanyamahanga ; kandi ko bari bagiriye imyimenyerezo inyuma y'igihugu, imyimenyerezo mibi yo kuza kugwanya Uburundi. Ngo bari bahanye indahiro zo kutazosubiza umugongo inyuma badakoze ibara bemeye, kandi ko batazomenanira ibanga, naho vyogenda gute.*

Umugwi CVR werekanye mu kanya gaheze ko ico gitigiri c'abateye ari ic'indenzarugero. Kuko nta kuntu abasirikare b'Uburundi ico gihe batashika n'4.000 bari gushobora guhangana n'abagwanyi 25.000 bavuye kugira nabo imyimenyerezo ya gisirikare, bitwaje n'ibigwanisho bicira umuriro.

17. **Ikinyoma kigira 12:** *Intwaro ya Micombero, yabwiye Abarundi n'amakungu ko abateye Uburundi bahavuye bahungira mu bihugu duhana imbibe. Ngo abadasigana b'umutima barigoye bagenda guhamba imivyimba y'abishwe n'ivyo bimwenyi aho vyaciye hose.*

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

*Ngo baraharuye basanga hapfuye abantu bashika nk'50.000, hatarimwo abazimanganye canke abahungiye i Tanzania no muri Zaïre.*

Umugwi CVR urategekanya kuzogira rusansuma y'abantu bose bapfuye be n'abagiye mazimayongo. Ico gitigiri c'50.000 niho kizokwemerwa canke kigahakanwa. Ariko ukuri CVR ufise, n'uko ata binogo rusangi vyinshi vy'Abatutsi bishwe mu 1972 uratora. Aho umaze kumenya, ni ikinogo kimwe gusa, kirimwo abantu 5. Nabo nyene ababo baranse ko Umugwi CVR ubakurayo ngo ibisigarira vyabo bije hamwe n'ivy'abandi Barundi bishwe muri urwo rwimo. Abo bazi ivyo binogo rusangi vyatawemwo Abatutsi mu 1972, Umugwi CVR urabasavye bazovyerekane, kugira nabo baze bahambanwe iteka.

18. **Ikinyoma kigira 13 :** *Ubwicanyi bwo mu mwaka w'1972, intwaro ya Prezida Micombero yabwegetse ku Bahutu bitwa* ***Célius Mpasha*** *yari umunyeshule muri kaminuza mu 1969, hamwe n'umugabo yitwa* ***Ezechias Biyorero*** *yigeze kuba umushingamateka (akaba yari yahungiye muri Tanzaniya kuva mu 1965). Iyo ntwaro yemeza kandi ko ivyitso vya ba Mpasha na Biyorero bari umushikiranganji* ***Pascal Bubiriza*** *yari ajejwe ivy'ama posta, telephone n'ugutumatumanako amakuru. Ngo iwe hafatiwe inzandiko n'amakarata y'intara y'aho bari gukurikiza mu kumara inganda z'abatutsi. Abandi batereyetseko iyo nteba ishushe, ni Commandant* ***Martin Ndayahoze*** *yigeze kuba umushikiranganji w'ukumenyesha amakuru, hamwe n'umu capitaine yitwa* ***Marcien Burasekuye.***

Uretseko abo bose ico bahuriyeko bari Abahutu, nta na hamwe iyo ntwaro yigeze yerekana aho bahuriye kugira bategura ubwo bubisha babagiriza. Umugwi CVR wararungitse mu mwaka uheze intumwa muri Tanzania kubibaza Mpasha. Wasanze ari ivyo ubutegetsi bwa Micombero bwadendekeranije kugira bababike ibara.

Uwo Commandant Martin Ndayahoze we hari haciye imyaka ine yandikiye Prezida Michel Micombero raporo ya politike, amubwira ko afise ivyemezo y'uko hari akagwi k'Abatutsi bari kumwe n'uwitwa Artémon Simbananiye, bariko barategura ivyo kwica umukuru w'igihugu, bace bavyegeka ku Bahutu, gurtyo baronke imbarutso yo guhonya icitwa Umuhutu wese yize canke yifise. Ivyo Martin Ndayahoze yavyanditse mu 1968, kandi niko vyagenze. Ku wa 29 Ndamukiza 1972, hari akagwi k'abantu bishe uwitwa Kinyomvyi Dodolin Rock yari ajejwe gucungera ubuzima bwa Président Micombero. Bagira ngo Micombero aca yumva ko ariwe barondera.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Kandi uno nawe, nta musi waheze adashizeho inzego zijejwe guhonya Abahutu bize n'abifise: abashikiranganji, abayobozi bakuru mu ntwaro, abasirikare, abihebeye Imana, abadandaza, abigisha, abaganga, gushika no ku banyeshule bo muri kaminuza, abo mu mashule yisumbuye, ndetse n'abo mu mashule y'intango, nko ku Mutangaro wa Rutovu.

Izo ntwazangabo mu ntwaramiheto Martin Ndayahoze na Marcien Burasekuye, bari mu bafashwe mu ba mbere i Bujumbura, baraborezwa igufa, baricwa, baja gutabwa mu binogo rusangi vyimbwe n'imashini ku Buterere.

19. **Ikinyoma kigira 14 :** *Intwaro ya Micombero yagirije mu nzandiko zatowe n'Umugwi CVR izo ntwazangabo Ndayahoze na Burasekuye ko zitari zifise gusa umugambi wo gukura Leta, ko mugabo icipfuzo cabo cari ico guhonya kigaherengeteza abo mu bwoko bw'Abatutsi.*

    Ico kinyoma naco kiragoye no gusigura mu gihe Umugwi CVR watohoje neza ugasanga, yaba umugore wa Martin Ndayahoze, yaba umugore wa Burasekuye, bompi nyene ari abatutsikazi.

20. **Ikinyoma kigira 15 :** *Intwaro ya Micombero yemeje ko abo ba ministre bafashwe, kandi ko ivyo bagirizwa bavyiyemereye imbere y'abacamanza.*

    Ico coco ni ikinyoma cambaye ubusa ! Nta sentare n'imwe abo bantu bigeze barengutswamwo. Nta n'umwanya bahawe ngo biregure. Nta n'umushingwamanza (avocat) bigeze barekurirwa kuzana ngo abafashe kuburana. Barafashwe, barakubitwa, barashaya, baricwa, bajanwa gutabwa mu binogo rusangi vyo mu Buterere bwa Bujumbura, kandi n'ababo ntibigeze berekwa aho batawe ngo baje kubaririra.

21. **Ikinyoma kigira 16 :** *Intwaro ya Michel Micombero yemeje ko naho nyene abateye mu 1972 baje bava hakurya, ngo baguma bafitaniye umutahe n'abasigaye mu Burundi. Ngo nta ndwi zibiri zahera atabagiye kubaraba kandi babashiriye amafaranga y'imfashanyo bari baremeranije.*

    Iki kinyoma kiratwengeje. Umugwi CVR ahubwo waratohoje usanga hagati y'ukwezi kwa Ruhuhuma na Ntwarante mu 1972, hari intumwa za Leta ya Micombero zagiye i Buvira muri Zaire guha amafaranga abakuru b'abagwanyi bagize umuhari bise Simba, barimwo uwitwa Gaston Soumialot, kugira baze baze gutera Uburundi, maze ico gitero kizoce cagirizwa Abahutu.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Abatwayeyo ayo mafaranga ni: André Yanda, Albert Shibura na Augustin Ntamagara, nkuko vyemezwa n'umushoferi yabatwayeyo w'Umurundi, yitwa Nestori Rurakobeje, umunye Ngozi.

Abo ba Mayi Mulele nibo bahavuye baza gufasha Abarundi gutera baciye mu Kiyaga Tanganyia, baje mu bwato busanzwe (pirogue), bafise n'udukoho dukeyi, imipanga n'ibibugita. Ivyo vyose Leta ya Micombero yari ibizi.

Nico catumye n'umukuru w'ikambi ya gisirikare i Bururi, Commandant Samuel Nduwingoma, ateshwa kuja gusaka imipanga ku Mugara, aho yari yumvise ko aba Mayi Mulele bayishikanye.

Umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare c'Uburundi, Colonel Thomas Ndabemeye n'Umukuru w'ibiro bijejwe iperereza (sûreté nationale), Bernard Bizindavyi, babwiye uwo Samuel Nduwingoma, ngo : Wewe uratinya imipanga kandi abasirikare bawe bafise inkoho ? Ivyo vyaramubabaje cane. Niko yavyiganiye Umugwi wacu CVR muri Kigarama mu 2021.

22. **Ikinyoma kigira 17 :** *Ngo mu mazu yasatswe y'abo bashikiranganji b'Abahutu biswe abayobe, bahasanze amasandugu menshi yuzuyemwo imiti, urumogi (opium), ibirwanisho vy'ubundi bwoko (armes automatiques) n'imipanga myinshi !*

    Mu Mugwi CVR turibaza ingene umushikiranganji wa Leta y'Uburundi yotunga urumogi nk'urwo rwa opium ! Yoba yarucishije hehe mu kugwinjiza mu gihugu ? Mbega izo nkoho zozo yozitungira hehe ku buryo zitomenyekana, kandi mwumva barikekwa ?

23. **Ikinyoma kigira 18 :** *Muri ca gitabo « Livre Blanc », itwaro ya Micombero yagirije abo nyene ko mw'isakwa mu mazu yabo, hatowe amafaranga menshi bari bahawe. Ngo barayaharuye batora ayashika imiliyoni mirongo itanu y'Uburundi (50.000.000).*

    N'ico nyene ni ikinyoma. Muri make, iyo ntwaro yashaka kwambika ibara abo bakuru bo mu bwoko bw'Abahutu, kugira baronke aho babaca. Mbere muri ico gihe iyo ntwaro yemeza ko ayo mahera bari bayahawe na Ntare V, ahandi naho bakavuga ngo yatanganzwe n'ibihugu vyanka Uburundi, ivyo bita « les impérialistes ».

24. **Ikinyoma kigira 19 :** *Barasubiye barandika muri ico gitabo nyene « Livre blanc », ko ivyo vyatowe mw'isakwa ry'amazu y'Abahutu bakuru bakuru vyerekana ko aribo bari abategetsi b'iryo shaka ry'ikibi, kandi ko aribo bari bafise n'amazina y'abantu bakuru b'Abatutsi bategerezwa kwicwa ubwa mbere na mbere.*



REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président

Ivyo navyo, insiguro Umugwi CVR ubiha, n'uko intwaro ya Micombero yashatse guhenurira kuri abo yise abamenja, ivyo iyo ntwaro yo nyene yari yateguye. Kuko intonde z'Abahutu bategerezwa kwicwa, ndetse n'amazu yabo azofatwa, Umugwi CVR warazitoye i Bujumbura, i Gitega n'i Ngozi.

Hari n'umusitanteri yagiye gutwara ikomine ya Buhiga mu 1978, yatoye mu biro urutonde nawe nyene yariko rw'abategerezwa kwicwa mu 1972. Ico gihe co mu 1972 yari umwigisha wo mu mashule y'intango mu karere ka Gitaramuka, mu ntara ya Karusi. Yakijijwe n'uko yaciye ahungira mu ntara ya Ngozi aho aturuka.

25.**Ikinyoma kigira 20 :** *Ngo umugabwe w'abadasigana UPRONA hamwe n'imihari iwukomokako vyategerezwa guhanagurwa, nayo umugambwe w'abo babisha wari wamaze gushingwa.*

Muri CVR tuvuga ko ico kinyoma gipanze nabi, kuko bene kugishira ahabona, bari gupfuma baca badomako urutoke, kabavuga n'izina ry'uwo mugambwe wagira usubirire UPRONA. Ariko kubera ataryo bari bafise, bapfuye kubita mu rudubi.

26.**Ikinyoma kigira 21 :** *Muri radio no mu bindi binyamakuru, intwaro ya Michel Micombero yemeje ko umusi wo gutera, kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972, bari bateguye imisi mikuru ;ngo nta nzu n'imwe y'urunywero rw'abasirikare itari yateguwemwo iminsi mikuru. Ngo bashaka barare baratamba, maze baze kubahwikirayo batakibishobora kwivuna. Ngo barare baratamba, maze baze kubahwikirayo batakibishobora kwivuna. Ngo ivyo vyose vyari vyateguwe n'abo bakuru b'inkozi z'ikibi kugira bashobore guhonya Abatutsi bitabagoye.*

Umugwi CVR waratohoje ku vyerekeye izo « soirées dansantes » zo ku wa 29 Ndamukiza 1972. Hari ku wa gatandatu. Bwaca ari ku wa Mungu italiki 30. Ku wa mbere naho, nta kazi kari kahari, kuko wari umusi mukuru w'abakozi n'akazi uhimbazwa kw'igenekerezo rya mbere Rusama.

Vyahuriranye n'uko abasirikare bari bahembwe umushahara wabo. Kandi bari bavuye mu myimenyerezo ya gisirikare iruhisha cane, ivyo bita « manœuvres militaires » y'igihe kire kire, catwara amezi ya Ntwarante na Ndamukiza. Abo basirikare b'Uburundi, mu makambi yose n'ama brigade, bari basanzwe bagira mwene izo soirées dansantes muri ico kiringo. Vyari vyabaye no mu myaka y'imbere yaho. Kandi baratumira n'aba civils. Nti vyari bishasha rero. Kwemeza ko zategurwa n'Abahutu, murumva ko ari ugushikuza !

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

27. **Ikinyoma kigira 22:** *Intwaro ya Michel Micombero yabwiye Abarundi n'amakungu ko ibahaye* ***Ukuri kugaragara kandi kubabaje ku vyabaye mu 1972.*** *Ngo naho nyene abishe nabi abantu, bakabicana n'uruvyaro, Leta yoyo ngo ntiyahanishije ukwihora nkuko ababisha bari bagize ngo nabo babahonanye n'uruvyaro. Ngo oya nyabuna ! hahanywe abafise igicumuro gusa ! Ngo abarucanye nibo barwose. Ngo igihugu cacu gifise imigenzo myiza ya ba sokuru ; kirazi ko umuntu wese ahanirwa ikosa ryiwe. Ngo abo rero baruteye, bararutamvye ata kigongwe.*

Mu murwi CVR twahavuye twibaza tuti : none barya bana bo mu mwaka wa gatanu bo kw'ishule ry'intango ya Mutangaro mu Rutovu, nabo bari bafise igicumuro ? Barucanye ryari ko batekewe mu magunira bakaja kwicwa urw'agashinyaguro ? Barya bana 120 bo kuri Ecole Normale de Kiremba sud, bafashwe bakaja gutabwa mu ruzi Siguvyaye, ikosa bahaniwe ni irihe, uretse ubwoko nabwo nyene batihaye ?

28. **Ikinyoma kigira 23:** *Ngo hari abasirikare bishwe mu kwa kane no mu kwa gatanu mu 1972 n'aba rebelles. Umukuru w'ingabo z'Uburundi muri ico gihe Lieutenant-Colonel Ndabemeye Thomas yandikiye Umushingwamanza kizigenza, aha ikopi Umushikiranganji w'ubutungane, amusaba amafaranga yo gushumbusha imiryango y'abo basirikare bishwe.*

Umushingwamanza kizigenza yaciye abona ubwo nyene ko ico ari ikinyoma, aca aramwima ayo mafaranga. Yamwishuye mu rindi kete avuga ati : *« renseignement pris à bonne source, a découvert qu'il s'agit de militaires tués par erreur durant les événements d'avril-mai 1972 par l'armée elle-même » ;* bisigura ngo naratohoje neza nsanga abo basirikare bishwe usabira amafaranga, bishwe na bagenzi babo b'abasirikare nyene, babihenzeko. Ntibishwe n'aba rebelles!

Umugwi CVR waramenye neza cane yuko intwaro y'ico gihe, yashizeho ikigega yari yise **"Fonds d'indemnisation des victimes de l'invasion du 29 avril 1972".** Ico kigega cajamwo amafranga avuye mw'igurisha camurara ry'amazu n'imiduga y'Abahutu bishwe Abamenja, hamwe n'amafaranga avuye mu gukotesha amazu y'abiswe abamenja.

Umugwi urafise intonde nyinshi z'ayo mazu n'imiduga vyafashwe biragurishwa, ariko nturigera umenya ingene ico kigega cakoreshejwe canke abantu bafashijwe muri ubwo buryo. Amafaranga yagiye muri ico kigega arimwo igipfungu gikomeye.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

29. **Ikinyoma kigira 24 :** *Kw'igenekerezo rya 16 Ruheshi mu 1972, Micombero yaravugiye ku nsamirizi ko impore yaje, ko uwuticura amabinga arya agasinzira.*

Hari Abahutu bari banyegeye, baciye baja narwo, baranyeguruka. Hari n'abari bahunze baciye batahuka muri uwo mushuhira nyene. Nabo bari bubone ! Uruhigi rwaciye nyabuna rusubira kwaduka, mu ntara zose z'Uburundi abatari bake barafashwe baricwa atacamira. Ivyo vyarabandanije no mu mwaka w'1973. Abantu benshi bari bahungiye urwimo muri Tanzania no muri Uganda, bagize ngo barahunguka, ntibarenga umupaka w'Uburundi na Tanzania. Umurwi CVR uramaze kuronka intonde zimwe zimwe z'abo bantu.

30. **Ikinyoma kigira 25 :** *Intwaro ya Michel Micombero yagiye irahindura imvugo ku vyerekeye abateye mu bumanuko bw'igihugu. Mu mpera z'ukwezi kwa Ndamukiza no mu ntango za Rusama mu 1972, biswe « abacangero » (**mercenaires**). Mu nyuma biswe aba « **Mayi Mulele** »; impera n'imperuka bitwa « **Abamenja** ».*

Ariko ukuri muri izo mvugo zose n'uko bari Abahutu bo kwicwa.

31. **Ikinyoma kigira 26 :** *Abo « bamenja » bishwe mu 1972-1973, bagirizwa ivyaha vy'agacamutwe 3 : guhungabanya umutekano mu gihugu (**atteinte à la sureté intérieure de l'Etat**), akankanzi gafatiye ku bwoko (**aversion raciale**) n'ukuja mu murwi w'abagumutsi **(participation au mouvement insurrectionnel)***

Ico kinyoma babeshewe, nico catumye Abahutu isinzi bagandagurwa kandi ataco bazira, gushika n'aho hicwa n'abanyeshule: kuri ETS Kamenge, Athénée Bujumbura, Athénée Gitega, ITAB Gitega, Collège Notre Dame de Gitega, Collège Don Bosco Ngozi, Ecole Médico-sociale Gitega, Collège de Matana, EMP Musenyi, EMP Rugari, ENE Ngagara, EMP Kivoga, EMP Kibumbu, EMP Buhiga, EN Kiremba sud… n'ahandi nko kw'ishuke kaminuza y'Uburundi UOB na ENS.

32. **Ikinyoma kigira 27:** *Ubutegetsi bwo mu Burundi ico gihe co mu 1972-1973, bwarabeshe ngo nta ngorane iri mu gihugu, ngo nta bantu bariko baragandagurwa.*

Yamara n'abapatiri bera, aba missionari katolika bari bahari, barasemereye, barandika n'urwandiko rwavuga:

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

1) ko abantu isinzi bariko bararaswa ata n'imanza baciriwe ;
2) ko hari abapatiri, abihebe Imana, abakristu balayike n'abandi benshi bariko barafatwa bakagiririrwa nabi cane;
3) ko hari abantu babahungiyeko ku masengero baza barafatwa bajanwa kwicwa ;
4) ko hari ubwicanyi burenzeko bushingiye ko rwanko ;
5) ko hari abanyeshule benshi bamaze gufatwa;
6) ko abafashwe baca basakwa mu mazu, ibintu vyabo bikibwa urukombamazi ;
7) ko impfuvyi n'abapfakazi babaye benshi ;
8) ko abakristu batakibashikira neza ngo babaronse amasakramentu ;
9) ko hari abategetsi bikika mu kiza bakabeshera abandi kugira baronke uburyo bwo gusahura ivya barundi ;
10) ko hari abatera akaguma mu mashule kugira abana bate bomoke…

Intwaro ya Micombero mukwishura abo ba misiyonari, yabateye ubwoba, ivuga ko ivyo abo bapatiri bavuga ari ugushikuza, mbere bamwe bakaba baciye basabirwa kwirukanwa burundu, bave mu gihugu c'Uburundi.

33.**Ikinyoma ca 28:** *Intwaro ya Micombero yagirije ikinyamakuru ca Ekleziya Katolika ko cabeshe mu vyo cavuze vyerekeye ifatwa n'itahukanwa ku nguvu ry'Umwami Ntare wa V, aho yakuwe mu gihuguy ca Uganda azanwa mu Burundi, hari kw'igenerezo rya 31 Ntwarante mu 1972.*

Mu vy'ukuri, ico kinyamakuru Ndongozi y'Uburundi, mu nomero yaco igira 8 yo kuwa 15 Ndamukiza 1972, cari canditse ivyo Micombero yavuganye na mugenzi we wa Uganda Idi Amini Dada, vyerekeye itahukanwa rw'uwahoze ari Umwami w'Uburundi Karoli Ndizeye. Ico kinyamakuru caciye gifatirwa igihano ruhasha co guhagarikwa n'umushikiranganji ajejwe ivyo kumenyesha amakuru.

34.**Ikinyoma ca 29:** *Président Micombero yabeshe mugenzi we Président Idi Amin Dada ko Ntare wa V amaze gushika mu Burundi, azomukingira ubuzima.*

Aho kumukingira ubuzima, yakize gushika i Bujumbura ku wa 31 Ntwarante 1972, aca yambikwa amapingu, yinjizwa indege ya kajugujugu, ajanwa gupfungirwa ic'amaso i Gitega, mu kazu kabi kegereye igikoni c'ikirimba hambavu y'aho imbwa zirara.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Nta muntu n'umwe yari arekuriwe ku mubona. Habe na nyina Umwamikazi Baramparaye yamuvyaye, kiretse ari kumwe na Bulamatari Septime Bizimana canke umukuru w'ikambi ya gisirikare commandant Jérôme Sinduhije. Amaherezo y'uwo Mwami Karoli Ndizeye mwarayumvise. Ku mugoroba w'uwa wa 29 Ndamukiza 1972, Micombero yatanze itegeko ry'uko afatwa ace yicwa. Hari n'umuntu yaduhaye inkuru y'imvaho, yiyumvise kuri uwo mugoroba Micombero yigamba, ngo: **"ka gahungu twagafashe"!,** Ntare wa V, yaciye agandagurwa. Abamwishe, baranse kwerekana aho bamutaye. N'ubu Umugwi CVR nturatora igufa ryiwe.

35.**Ikinyoma ca 30 :** *Intwaro ya Président Micombero yabeshe Abarundi n'amakungu ngo iharanira iteka ry'Abarundi, ngo Micombero yaratsinze abamenja. Nico cari icivugo inyuma y'akabi n'akabibi ko mu mwaka w'1972 n'1973.*

Umugwi CVR umaze imyaka irenga 8 utohoza. Umaze kubaza abantu barenga 1.500 bo mu ntara zose n'amakomine yose, abagabo n'abagore barenza imyaka 60, abahutu, abatutsi n'abatwa, mbere n'abanyamahanga bari bakuze ico gihe co mu 1972.

Umugwi CVR warabajije abari abakozi ba Leta, abari aba JRR, abari abacamanza, abari abasikare, abihebeye Imana, abakomoka ku bishwe, abapfakazi n'impfuvyi zo mu 1972…

Umugwi CVR umaze gutohoza ivyabaye vyose mu 1972-1973, niho ku wa 20 Kigarama mu 2021, watanga icegeranyo mu nama nshingamlateka na nkenguzamateka, cemeza ko mu Burundi habaye ihonyabwoko (**génocide**) ryakorewe abantu bo mu bwoko bw'Abahutu ku ntwaro ya Prezida Michel Micombero.

Umugwi CVR ukaba wasanze kandi hari abantu bo mu bwoko bw'Abatutsi baba mu ntara z'amaja mu bumanuko bw'Uburundi, cane cane ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika no mu mitumba ihegereye, bakorewe icaha c'ubwicanyi ndengera-kamere-muntu (**crimes contre l'humanité**). Ico caha nyene kikaba carakorewe n'Abatwa bo mu ntara ya Mwaro, bazira ngo bacuze amacu yo kumara Abatutsi.

36.Turabashimiye, banyacubahiro mwese muri hano, namwe bamenyeshamakuru mwitavye kino kiganiro. Tubipfurije amahoro y'Imana.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION